

Ubutumwa bw'ukuri

Vyakuwe mugitabo ca Gabriele,
umuhanuzikazi n'umutangabutumwakazi w'Imana:

Kubaho no gupfa kugira dukomeze kubaho.

Umwe wese yibako imbere y'urupfu

(Igitabo kiriho mu congereza)

1ère édition en Kirundi: septembre 2022

Traduit de l'allemand, titre original:
Sie leben ewig – es gibt keinen Tod

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Urupfu, ni ijoro k'umushaha. Gupfa uja m'ubuzima buhoraho, ni umurango uhoraho k'umushaha.

Kuki abantu benshi bafise ubwoba bw'icitwa «urupfu»? Kuki hari uruhagarara rwinshi, ubwoba no kwiyamamura ikintu kitiyamburwa gitegerezwa gushika k'umuntu? Uko batahura urupfu bitera kubantu benshi ubwoba bwinshi, uruhagarara, umwiheburo bitanga ishusho itariyo, yahinduwe, ni ingaruka yo kutamenya, yo kwanka kumenya, ingaruka y'imigenderanire mibi n'ubuzima? N'ibiki biteza ubwo bwoba?

Igihe ugupfa bitera ubwoba abantu benshi, nuko batiyerekeje ku Mana, badashaka inkomezi zidashira muvyaremwe vyose kandi bataraba ibirenze ivy'isi.

Ubuzima ntibuhagarara. Ubuzima ni umugende w'umuco udakama, w'inkomezi zejejwe zitemba zidahagarara. Ntankomezi nimwe yijana.

Uyonyene kuvuka kw'isi birimwo ico twita urupfu kuko kuri buri umwe nko kuri buri buzima bw'umuntu bufise iherezo. Gupfa ni ibibaho nko kuvuka.

Uwanka Imana, akanka Ubuzima, yikura k'umuco. Ahisemwo ubwami bw'umwiza nk'iwabo, mukutamenya ivy'impwemu, ikinyoma. Ntatahura ubuzima nkuko buri, ni impumyi, ni ukuvuga yarapfuye mu mpwemu. «Urupfu» ni umwiza w'umushaha. Bizwiko abantu benshi bafata urupfu nk'impera y'ubuzima, hariho ngaha, kw'isi, abantu benshi bapfuye mu mpwemu no kuyandi masi, hari imishaha myinshi kandi myinshi yapfuye.

Hamwe nivyo dukora canke tudakora kandi twategerezwa kubikora, turi musi y'itegeko ry' «igituma n'ingaruka». Ryitwa kandi «ibibibwe n'ivyimbuwe.»

«Ibiri» munyifato yacu bitwerekeza kubituma bidasobanutse «ubwoba»; ibiri

munyifato, nibikorera imbere munyiyumvo yacu, mubigumbagumba vyacu, muvyiyumviro vyacu, mumajambo n'ibikorwa, mw'ijwi ryo mubwenge bwacu, munyifato z'ubwenge bwacu, kandi akenshi ntidushaka kwitahura no gutahura abandi.

Asangwa kwizera kwonyene bikwiye, Imana ntiyari kwirirwa iraduha Amabwirizwa Cumi biciye muri Mose, no muri Yesu, inyigisho zugurura amajuru kuwuyakurikira. Iyaba kwizera vyonyene vyari bikwiye, Uhoraho ntiyari kwirirwa araduha iyi mpanuro: Mwibanda kukwizera gusa! Mukomeza kuba impumyi!

«Uwapfuye» n'ijambo rigaragaza ko atabuzima.

Inkomezi zejejwe, zitunganye, ijwi ryo mubwenge bwacu, bidushikako biciye m'umushaha wacu. Uwera aduhanura, adodora k'umuryango w'ubwenge bwacu, ni Mpwemu ahoraho ariwe buzima buhoraho.

Gutyo, igihe tubanze ugutwi k'Uwera k'ubwenge bwejejwe azotuyoborera iwacu, muhira, kumugabane uhoraho, ahadahinduka, mw'isi y'impwemu yejejwe aho dukomoka kandi aho tuzoba bushasha umusi umwe kubw'ibihe bidashira. Kugira dushikeyo, inzira y'umushaha wacu ica «mu masi yo hejuru» biciye kuntonde zo gutyororwa.

Uwiga kwumviriza, kwiyumvamwo, ico ubwenge bwiwe bumuhanura, yiyerekeza kumico yiwe kugirango akore ivyiza hakiri kare, agenda yibohora buhoro buhoro k'ubwoba. Yumva yidegemvya kandi ayobowe n'inkomezi zejejwe zimuzanira umutekano n'imfashanyo y'imbere no kunezerwa. Ni isoko nyaryo, Imana.

Buri igarukagaruka ni impano idasanzwe y'ubuntu, y'urukundo no kwitabwaho kutagira iherezo kw'Uhoraho kubana bayo. Ubuzima bwo kw'isi ni ishure aho ikiremwa muntu gifise igikorwa co kwiga no kuvumbura icarico Ubuzima.

Ni mwakora ibijanye n'ugutahura kwanyu, kandi muburyo bw'ingaruka, ni ukuvuga nimwabaho mwemeranya n'inyigisho y'ukuri ya Yesu, muzofata ikiganza ca Kristo, We yama hafi yanyu n'umuco wiwe, n'urukundo rwiwe kandi n'ubwenge bwiwe. Gutyo, inkomezi z'ubuzima, z'umuco kandi nziza, zizobaherekeza misi yose ubudasiba kandi muzisanga rero mubiganza vyiza.

Uwemera kwibaza, kwiga kwimenya no gutahura amakosa yiwe biciye mubimushikira buri musi niwe anesha. Azogenda aratinyuka araba amakosa yiwe n'ukwihenda kwiwe. Aravyihweza n'umuco, akabikuramwo ivyigwa maze agatera aja imbere. Iyo nyifato izana ugutekana mubwenge kandi gutyo ikazana umutekano, agacerere n'ukuroranirwa kw'imbere.

Idini rikoresha ijabo «uwapfuye» nk'igikoresho co gufata mpiri muburyo bwo gusopa imifuko y'abayoboke bariko barapfa, gushika aho babarenzako ishuka yo, idafise

imifuko; ubundi bwo urugendo rw'ubuzima bwabo rwose, ryabashize muri gehinomu, ribagumiza mu kutamenya, mu gutsindwa n'urubanza, mw'iterabwoba n'umwiheburo.

Dutegerezwa gutahura ko atanumwe ategerezwa gushira ubuzima bwiwe bwo mw'isi mubiganza vy'uwundi muntu canke kw'idini ryo hanze. Umwe wese ahamagarirwa na Mpwemu mukuru kwicisha bugufi, muguhindura neza inyifato yiwe. Mukubishikako, dufise ubwenge bw'Imana mumabwirizwa yayo no Munyigisho zo Kumusozi za Yesu, Kristo. Vyongeye, uyu musi turafise inyigisho itunganye, mumpande zose, muburyo butandukanye buhindagurwa buri gihe, ishirwa mungiro mubuzima bwa misi yose kandi yugururiwe bose.

Igarukagaruka ritanga amahirwe yo gutunganya, yo gushira kurutonde amakosa yakozwe mubihe vy'amagarukagaruka y'umushaha kw'isi yaheze.

*U*kwibuka amagarukagaruka yashize biba vyakuweho, ubuzima bwose kw'isi busa nka bushasha.

*M*u Mana, umuremyi ahoraho w'ibihe bidashira hari uguhindurwa, uguhinyanyurwa atari ukurandurwa.

*N*tanakimwe mubiriho vyaremwe vyose gipfa, kuko vyose ni inkomezi kandi inkomezi ni ubuzima. Ubuzima buruzuye kandi neza kw'isi no muyandi masi.

*U*mugende w'Ubuzima muvyaremwe vyose, witwa kandi inkomezi muvyaremwe vyose, Ubuzima, ntibugira iherezo. Ubuzima buhoraho. Ubuzima ni inkomezi, inkomezi zitera intege. Intambuko z'ubuzima zirangukira musi y'igikorwa c'izo nkomezi.

*U*mugende w'Ubuzima twita impwemu zacu ni inkomezi muvyaremwe vyose.

Muri buri guhema kwacu, dufatanijwe n'ivyaremwe vyose, k'umugende uri hose w'ubuzima.

Ikiva cose ku Mana – nk'akarorero uguhema kwacu arikwo Ubuzima bw'umushaha n'ibahasha ipfa, ikiremwa muntu – gisubira muri Mpwemu, m'Ubuzima. Igihe ikiremwa muntu gihemye iryanyuma, Mpwemu, Ubuzima m'umushaha, busubira kuri we biciye kuri wo impwemu yaco m'umuntu ija bushasha m'umushaha, m'ubundi buryo. Gutyo, ikiremwa muntu kirangije guhema iryanyuma, umushaha urahema kandi ukabandanya guhema mubundi buryo.

Uburyo bwacu twiyumvira n'uko twitwara bizana intambuko z'imbere zituyoborera kuguca bugufi no kumurikirwa kw'umushaha wacu n'umubiri wacu, canke naho bikaduteza kuyoborerwa mumwijima wavyo ubiganisha muri kameremere.

Icicaro c'umushaha kiri hafi y'ibwina m'ubwenge. Nkuko twavyumvise, umubiri

umurikiwe w'ibiremwa vy'impwemu vyejejwe kandi umushaha wavyo wubakitse muduhimba twinshi muburyo bw'impwemu.

Amabahasha y'umushaha n'ubwenge bw'umuntu; ari mumubiri mw'ishusho y' «amasoko y'ubwenge» yitondetse uko uruti rw'umugongo rugenda. Amabahasha y'umushaha, ni ukuvuga amasoko y'ubwenge, aruzuza buri kagingo ukumurikirwa, buri gace k'umubiri. Urugezo rwo gutahura rw'umuntu rugaragaza ukumurikirwa kw'umushaha wiwe. Ukumurikirwa muri rusangi kugizwe n'ibikikuje umuntu.

Uko kumurikirwa muburyo butandukanye, amabahasha y'inkomezi y'umushaha mumubiri, agizwe kandi, mubundi buryo, umugozi w'ihanahana ry'amakuru uhuza ikiremwa muntu, umushaha n'inyenyeri zo kumasi agoye gutahura y'ubwami bw'imishaha, ahabikwa ibikorwa vyose vy'uwo muntu. Umugozi w'inkomezi uhuza canke w'ihanahana ry'amakuru witwa kandi umugozi w'agaciro canke umugozi w'impwemu utwunze. Ni

ico twoshobora kandi kwita umugende w'umubabaro.

Gutyo, mugihe c'igikorwa runaka kumubiri w'umuntu ariko aracikana, nk'akarorero mukurondeza icamwishe canke mukumukurako igihimba, uwo muntu arashobora kwumva neza umubabaro utewe nico gikorwa kumubiri wiwe, biciye mumugozi wihanahana ry'amakuru, umugende w'umubabaro. Uwo mubabaro uragoye gusigura.

Kugira ico gihimba gikuwe kumubiri kigumane ububasha bwo gukora, bwo gukoreshwa muburyo bw'ikiganga no kubaga, birakenewe ko umubiri w'uwapfuye utaba wapfuye burundu. Uwo muntu rero aravyumva (...) ico gihe c'umubabaro gihwanye akenshi n'ukuri kubabaje kandi ni icitiranwa c'imibabaro igoye gusigurwa.

Igihe umushaha wisubirije kubaho kw'isi, uzanana n'umwanya wongewe mw'igarukagaruka ryawo, ni ukuvuga igihe c'ubuzima

bwawo kw'isi. Ico gihe gitangurana no kuvuka kandi kikarangirana no gupfa ico bita urupfu.

Umushaha urabona imigenderanire iwuhuza n'abantu, imibabaro wabateje n'ukuntu bavyifashemwo imbere yawo. Umushaha uriyumvamwo rero mumubiri w'impwemu umubabaro canke amakuba, ico cose wakoreye bagenzi bawo co kimwe nivyo wakoreye ibikoko n'ibidukikije. Ubwo bushakashatsi burawuha amahirwe yo kwihana kuvyo wakoze muriryo bahasha ry'umushaha canke muvyagaragaye mumabahasha yawo. Bivanye n'imitwaro, birashoboka ko mw'ibahasha canke mumabahasha y'umushaha hibika ibizowushikira mw'igarukagaruka ryawo rizokurikira rishobora kuwufasha kwihana no gushira kurutonde ivyo wiremetse kandi ari vyo vyerekana uko ikiremwa muntu kimeze.

Umushaha wisubirije kw'isi urafise amahirwe yo kwiyambura mumyaka mikeyi imitwaro runaka ariko kandi birashoboka ko ukoresha nabi iryo garukagaruka waronse maze ugakomeza kwiremeka, imitwaro na ntaryo.

Nico gituma mubwami bw'imishaha, kumfashanyo y'umumarayika wawo murinzi canke umumarayika mwigisha, urafise amahirwe yo gusuzuma amahirwe n'ingaruka uzobona mw'igarukagaruka rigira ribe. Ico kirawugabisha kunyifato n'intumbero y'ubuzima kw'isi, kugikorwa cawo. Umushaha urashobora gufata ingingo mugutahura gose igituma. Nta mushaha numwe uza mw'igarukagaruka utabanje kugabishwa muri ubwo buryo, ubishaka canke utabishaka kwumva no kwemera ivyo wagabishijwe.

Gupfa kugira ubandanye kubaho mubundi buryo ni kimwe mubigize ubuzima bwo kw'isi.

Ubuzima bwo kw'isi buraryoshe! Twategerezwa gutahura ko inyifato yose y'amakosa ifise igihushane cayo, twovuga ivyiza n'inkomezi zejejwe dushobora guteza imbere igihe tuvyemera kandi tukabishira mungiro. Ni twebwe ubwacu twihitiramwo inkomezi zitubamwo.

Ugusambagirika kwose mugucikana ni intambara y'ikiremwa muntu n'umushaha wiwe. Gishaka kugumya «Ubuzima» ubundi bwo ubuzima buba mumushaha – ni ubuzima bw'umushaha budapfa bwongera kubaho na nubu, impwemu.

Igihe co gucikana, abantu babayeho munzira nziza barabona ikiraro c'umuco ciyubaka muribo kandi kibahamagarira kugira inyota yo kwambuka.

Umushaha warangije kwiyambura ibahasha yawo ipfa ufise ubundi budasa. Inyifato yawo, ishusho yawo bisa nivy'ikiremwa muntu ariko ibiwugize, n'uko wifashe birorohoje kandi biraremurutse.

Ubwo nyene inyuma y'urupfu rw'umubiri, umushaha uba uri akenshi hafi yawo. Urashobora kuwumurikira kumuco wawo canke nyene ukawunyuramwo, igihe umubiri uba ugishushe, ariko ntushobora gukoresha umubiri canke ngo wigaragaze biciye muri ico kiziga kandi c'uburemere.

Umaze kuva m'umubiri, umushaha urabona mumabahasha ari muriwo bamwe-bamwe mubavyeyi bawo bagiye. Ubabona mw'ishusho y'umuntu bari bafise kera kandi bihwanye n'imigenderanire bari bafitaniye, nabo barawuramutsa kandi bakawipfuriza ikaze muyindi isi.

Ni uburemere bw'imitwaro y'umushaha canke, igihushane, urugezo rwo kumurikirwa n'umuco vyerekana uko ubuzima bw'umushaha buzomera inyuma yo kubaho kw'isi.

Dutahure ko «Ijuru» na «Gehinomu» ni inyifato twishiriyeho ubwacu nyene.

Imishaha y'isi iguma kenshi mubantu. Irifatanya na bimwe bimwe, ikitoraniriza ubutunzi bikayiteza gushira mungiro ibikorwa bimwe bimwe bibi. Kugira bibe, irakoresha, igafatampiri kandi irongora abo abantu mugukoresha impengamiro zabo mbi.

Dutegerezwa gutahura ko ikidushikira cose, ikibi canke iciza, ari ciza kukintu runaka

kandi dushobora kugikoresha muburyo bubangutse igihe dushobora kugikuramwo iciza, tukacemeza kandi tukihana ikibi. Tuvyitwayemwo neza, turubaka kandi tugakomeza inkomezi nziza muri twebwe; ivyo bigize kandi urufunguruzo n'igikoresho kugira tubeho neza no kurengera urupfu rw'impwemu.

Uwukoresha umwanya wiwe yahawe kw'isi mukuvumbura itunga nyakuri, itunga ry'imbere, kandi akarikamisha ukwama gutanga ivyamwa vyiza kuriwe – biva ku Mana – no mukurondera gutanga umunezero w'imbere, uwo akora muburyo butunganye. Uwuvumbura vyukuri itunga ry'ubuzima ararigumana mumisi yiwe yo kw'isi n'inyuma y'urupfu. Mugihe ciwe co kuba kw'isi, ibikorwa vyiwe vyiza bibandanya kubaho kuyandi masi kandi umushaha wiwe urinjira mu bice bimurikiwe n'Ubuzima kuko ibikorwa vyiwe kw'Isi vyari vyiza.





Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose

asiguwe mu mvugo y'uyu musi

Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose.

S338KI • ISBN 978-3-96446-228-2 • Impapuro 40

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
www.gabriele-publishing.com

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Imana muri twebwe
- Yesu n'ibikoko
- Iri n'Ijambo Ryanje A na Ω
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye
- Nturere amaboko! Komeza!



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com